Bibiliya y'Abana

Ishikirije

Yesu mubihe bigoye

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: M. Maillot; Sarah S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Igihe Yesu yari amaze kubatizwa, Imana yavuze iti: “Uyu ni umwana nkunda akampimbara”. Mpwemu yera amanuka kuri Yesu ameze nk’inuma.

Haheze igihe gito,
Mpwemu w'Imana
ajana Yesu
m'ubugaragwa.
Yesu yari wenyene.

Yesu amara imisi mirongo ine yisonzesheje. Ni ukuvuga ko ataco yigeze afungura muri iyo misi mirongo ine yose. Hama arasonza cane.

Bibiliya ivuga kandi ko hari hariho n'ibikoko vyo mw'ishamba.

Satani araza ngo ageirageze Yesu. Kera imbere y'aho satani yari yarageirageje Adamu na Eva aho bahavuye bareka kwumvira Imana mw'itongo rya Edeni.

N'aha Yesu yagira ageiragezwe.

Satani yarashobora
kugipama
kugerageza Yesu
umwana w'Imana.


“Niwaba uri umwana w’Imana” ari satani abivuga “hindura aya mabuye ahinduke umukate”.

Yari abizi ko Yesu ashonje.
Yari abizi ko umwana w'Imana ashobora guhindura amabuye agahinduka imikate. Mbega Yesu yari kwemera
kwumvira satani?

Oya! Yesu ntiyumviye satani. Ahubwo, yamwishuye asubiramwo ijambo ry'Imana ati: "Umuntu ntatugwa n'umukate gusa".

Hanyuma satani ajana Yesu mugisagara kinini c'i yerusalemu, mungoro y'Imana aho abantu bataziriira Imana. Mbega aho satani yagomba amukoreshe iki?

“Ni waba uri umwana w’Imana, ikororere hasi” Ari satani abwira Yesu. “Ijambo ry’Imana rivuga ngo azokuragiza abamalayika ngo bakuzigame.”

“Oya!” Yesu yishura satana ati: “Haranditswe kandi ngo… ‘Ntukagerageze Uhoraho Imana yawe.’”

Satani arongera arageragеza ngo arabe ko yomutsinda. Amusohokana hanze y'igisagara amudugana kw'itaba ry'umusozi muremure cane.


Yereka Yesu ubutunzi bw'ubami bwo mw'isi maze satani aramubwira ati: "Niwapfukama ukansenga, ivyo vyose nca ndabiguha."

Yesu yishura ategeka satani ati: “Mvako satani” vyanditswe ngo “Uhoraho Imana yawe abe ari yo usenga, kand’abe ariyo usaba yonyene.”

Satani amara igihe amuretse. Haca haba ikintu ciza cane. Imana ica irungika abamarayika ngo bamukomeze kandi bakorere umwana wayo Yesu atigeze yumvira satani.

Yesu mubihe bigoye

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Matayo 4, Luka 4

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi: Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16